Akarorero k'indyarya, ni nk'akarorero k'impene ijuragirika hagati y'ubusho bubiri bw'intungwa, ugasanga hari igihe ikurikiye ubu busho ikajana na bwo, ikindi gihe ugasanga ikurikiye buriya ikajana na bwo'

Mu vyakiriwe na Mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze ati: "Akarorero k'indyarya, ni nk'akarorero k'impene ijuragirika hagati y'ubusho bubiri bw'intungwa, ugasanga hari igihe ikurikiye ubu busho ikajana na bwo, ikindi gihe ugasanga ikurikiye buriya ikajana na bwo'".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aratomora ukungene indyarya ibayeho, ko ari nk'intungwa ijuragirika hagati y'ubusho bubiri bw'intungwa, ntiheze ngo imenye ubusho ikwiye gukurikira ngo ijane na bwo, ugasanga hari igihe ikurikiye ubu busho ikajana na bwo, ikindi gihe ugasanga ikurikiye ubundi busho ikajana na bwo, ni ko rero indyarya zijuragirika hagati y'iyemeramana n'igararizamana, aho usanga zitari kumwe n'abemeramana mu buryo bugaragara no mu vyo zihishije ku mutima, eka mbere ntusanga ziri kumwe n'abagararizamana mu buryo bugaragara no mu vyo zihishije ku mutima; ahubwo ku vyo zigaragaza wogira ngo ziri kumwe n'abemeramana, kandi mu mishaha huzuyemwo amakenga no kudatsimbatara ku kwemera, gutyo hakaba igihe ubona ziri ku ruhande rw'aba, ikindi gihe ukabona ziri ku ruhande rwa bariya.

http://sunnah.global/hadeeth/rn/show/65019